**Bible lessons. Lesson 43. IN DUE TIME, GOD CALLED MOSES**
**Exodus 2:23-25; 3:1-15**
**Memory verse: "Also I heard the voice of the Lord, saying: 'Whom shall I send and who will go for Us?'" Isaiah 6 : 8**

ICIRWA CA 66

**MUGIHE GIKWIYE, IMANA IHAMAGARA MOSE.**

Ijambo ngenderwako : « ***Numva ijwi ry'Umwami Imana rivuga, riti Ndatuma nde, ni nde yotugira »*** **Yes. 6:8**

**Kuv 2:23-25**

**I. Intangamarara**
Abuzukuru ba Aburahamu barakoreshejwe, baricwa ata gitabara imyaka amajana. Noneho Imana yibutse isezerano yasezeranye na Aburahamu ; imanukanywe no kubatabara. Ni nde yoshobora guhangara umwami wa Egiputa akamukura mu maboko abo yagize abaja ?

Mose we arahunze Egiputa ; yagirizwa icaha co kwica umuntu. Farawo ariko aramuhiga ngo amwice. Ageze mu bugararwa bw'i Midiani, arongora umukubwa w'umuherezi waho Yetiro. Aba umwungere w'intama ziwe. Amara imyaka mirongo ine adasubiye kubonana n'umwe w'iwabo. Birashoboka ko abavyeyi biwe bamubwiye ko azoba umuyobozi w'ubwoko bwa Isirayeli no kuzobageza mu gihugu c'isezerano. Yagerageje kubishitsa akoresheje inguvu z'umubiri, bimuviramwo guhunga Farawo ngo ntamwice.

Mose amaze imyaka mirongo umunani, arashaje kubera akazi ko kwiririrwa mw'ishamba aragiye intama z'abandi. Ariko rero niho nyene kandi ni naco gihe nyene Imana imuhamagarirako ngo imushitseko ico yamuremeye.

**II. Ikiyago ca mbere hagati ya Mose n'Imana**

**Soma Kuv. 3:1-10** Mubugararwa, uruzuba rw'i Midiyani, inzara y'umwungere, ivyiyumviro vy'abiwabo muri Egiputa ; Umutama Mose n'inkoni mu maboko ; abona akatabonetse aho igisaka caka ntigitemuke. Ngo yegere ; yumva uwuvugirayo. Ibiyago birakomera hagati ya Mose n'uwo avugira mu muriro atamubona. Amajambo amubwiye yumva ni ayo kuremsha. Ati : « *Ndi Imana ya sogokuru Aburahamu, ni ukuri nabonye amarushwa abantu banje bari muri Egiputa barimwo, numvise gutaka kwabo… kandi manukanye no kubatabara*. »

Ishire mu kibanza ca Mose uko woca wiyumva mu mutima. Ati Ego bikore ni vyiza. Imana iti ni wewe uzoja kwa Farawo umubwire arekure abantu banje. Mose yeeee, ahaaa, aho birakomeye. Kwa Farawo, nomukira…, ambonye ni fye !

**III. Ivyitwazo vya Mose bitsindwa.**

**Soma Kuv.3 :11-15.** Yayishuye ati jewe ubona ndi nde ? Imana irakeneye abantu bo kuyikorera mu rusengero rwayo ariko abensi barayigora cane. Uburorero rw'ivyitwazo :

1. **Icitwazo co kwikengera** : Mose yiravye ubuzima arimwo ati ntivyoba bigikunda ko ndabikora. Iyi nyishu ya Mose ntiyababaje Imana. yerekana ko yemera ko atavyo yoshobora abikoze mu mubiri nka mbere. Noneho vyomuhitana. Aha nyene Imana yari ifise inyishu kuri ngorane. « Erege nzoba ndi mkumwe nawe » uku niko Imana ihorana n'abo yatumye bakagenda bashobozwa. **Mat.28 :20b** « ***Umve, ndi kumwe namwe imisi yose, gushika ku muhero w'isi. »***

2. **Icitwazo ca Ntavyonzi :** umur wa 13. Biboneka Mose avuga ngo : Erega nanje sindakuzi, bambajije uwantumye ntanyishu mfise y'ukuri. Abenshi biritwaza ko batize, ariko ibikorwa vy'Imana biyoborwa na Mpwemu Yera.

Mose yibwira ko iki kibazo gituma Imana isubiza inyuma uyu mugambi wayo kuri we iheze irondere uwundi yotuma. Imana yama ifise inyishu ku kibazo cose. Ica imubwira izina ryayo kugira ibihari bihere. « ndi UWO NDI, NDIHO, UHORAHO, » iryo niryo zina ryanje.

Iri niryo zina Yesu yabwiye abayuda banse kumwizera. **Yoh. 8:24**

Ni vyiza kumenya irizina rya NDIHO, ariko ntawoshobora kuritahura mu gihe atakijijwe ngo abe yaramuhaye ubuzima bwiwe bwose ngo abuganze. Ukwiga ivyirwa vya bibiliya ; bifatanije no gusenga bifasha gutahura neza izina ry'Imana yacu. Abanshi bagiye bayiha amazina bivanye nico ibakoreye. Wewe uyita nde ? canke nturayimenya ?

3. **Icitwazo c'uko baremwe :** soma **kuv.4 :10-17** iyi nyishu Imana yahaye Mose yari ikwiye. Kuko ariyo yaremye umuntu ikaba izi ubuzima bwiwe bwose. Ico igutumye cose iba izi igituma itoye wewe. Uku niko abandi baba bitwaza ubukene bubaruhije, kubura imyambaro y'igitangaza, ubwoko bavukiyemwo, n'ibindi. Ico kumenya ni uko Imana itarobanura k'ubutoni ngo irabe imvuzi, abanyabwenge gusa canke abahambaye.

**IV. Gushira mu ngiro**

Turashobora kwerekana ibintu bibiri muri uyu muhamagara w'Imana :

1. Igihe cose Imana igomba ko uyikorera mu rugo rwayo, ntiyita kuri kahise kawe kabi. Mose yari yarishe umuntu ariko Imana imukeneye, yaramubabariye iramwemera. Nawe amaraso ya Yesu ashoboye vyose kuri wewe. Naho woba waracumuye, Mwemerere gusa, Umwami Yesu araguhindura umwizigirwa mu rugo rwiwe. Aragukunda.

2.Mu gihe Umwami Yesu agomba ko umubera umwana mwiza, ntiyita k'ubuzima urimwo. Ubukene, ubumuga, agasuzuguro k'abantu, … igihe cose umwizeye, iramwemera.

Uyu musi Yesu arakugomba ko umubera umwana n'umukozi mu rugo rwiwe. Haguruke usenge, aguharire intege nke zose wabayemwo, uzobana nawe mu bwami bwiwe nyuma y'ubu buzima bwo mw'isi buruhije.